ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU « ITEKA »

Uwo uri wese ubahirizwa

# ICEGERANYO C'INDWI "Iteka n'Ijambo"

## N° 473 kuva kuwa 5-11 Rusama 2025

*Ryemejwe n'itegeko shikiranganji inomero 530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994 risubiramwo itegeko nomero 550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991*

***ICEGERANYOC'INDWI « ITEKA N'IJAMBO» n°473 c'ishirshamwe ryo mu Burundi riharanira agateka ka zina muntu «ITEKA»***



***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 11 Rusama 2015, abantu bashika 729 babuzwe irengero nibo ishirahamwe iteka ryumvise.***

**Ishirahamwe ITEKA :**

- *Ni umunywanyi w' ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu, ni umunywani akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),*
- *rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka ka zi-na muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.*
- *Umuhari Iteka ugizwe n'Inani  mpuzamashirahamwe 17 ku Ntara hamwe 'ibisata 32*

## *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***CDS*** | *: Ikigo c'ivuriro* |
| ***CENI*** | *: Umugwi w'igihugu ujejwe gutegura amatora,* |
| ***CNDD-FDD*** | *: Inama y'igihugu yo gukingira demokarasi-Ingabo zo gukingira demokarasi,* |
| ***CNL*** | *: Urunani rw'igihugu ruharanira kwishira no kwizana,* |
| ***DCE*** | *: Ubuyobozi bw'ingero mw' ikomine,* |
| ***DPE*** | *:Ubuyobozi bw'indero mu ntara,* |
| ***ECOFO*** | *: Ishure shingiro,* |
| ***FDLR*** | *: Ingabo ziharanira demokarasi zo kubohora u Rwanda,* |
| ***FLN*** | *: Ingabo ziharanira kwibohora,* |
| ***FRODEBU*** | *: Urunani ruharanira demokarasi Burundi,* |
| ***OPJ*** | *: Inyamiramabi,* |
| ***UPRONA*** | *: Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu* |

**Urutonde rw'ibirimwo** **Urupapuro**


*0.INTANGAMARARA ........................................ 1*
*I. UMWIHWEZO ........................................ 1*
*I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE ........................................ 1*
*I.2.ISHUSHO RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU ........................................ 6*
*I.3.ISHUSHO Y'UMUTEKANO ........................................ 7*
*I.4.ISHUSHO Y'UBUTUNGANE ........................................ 9*
*II. AGATEKA KA ZINA MUNTU NO MURI POLITIKE ........................................ 10*
*II.1. AGATEKA KO KUBAHO ........................................ 10*
*II.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE ........................................ 10*
*II.1.2. ABANTU BISHWE IGENDEREZA RYA RETA CANKE IMBONERAKURE ............ 10*
*II.1.3. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE ........................................ 11*
*II.1.4. ABANTU BISHWE KUBERA AMATATI ........................................ 11*
*II.1.5. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO........................................12*
*II.1.6. IHOHOTERWA RY'UBUZIMA N'UMUTEKANO W'ABANTU……………………………13*
*II.2. UBURENGA NZIRA BWO GUSONERWA ........................................ 14*
*II.2.1. KUBOREZW' IGUFA, AMABI ATAGIRA IZINA ........................................ 14*
*II.2.2. GUFATA KUNGUVU KAMWE N'IHOHOTERWA RIFATIYE KU GITSINA ............ 14*
*II.3. UBURENGA NZIRA KUMWIDEGEMVYO…………………………………………………..15*
*II.3.1 GUHAGARIKWA N'UKUBOHWA BIDACIYE MU MATEGEKO……………………….15*
*III.UBURENGANZIRA KU BUTUNZI,IMIBANO N'IMICO KAMA ........................................ 16*
*III.1.UBURENGANZIRA KU MAGARA ........................................ 16*
*IV.GUSOZERA N'IMPANURO ........................................ 16*

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana ibihe vy'amarira vyaranze iyi ndwi ku gateka ka zina muntu hamwe no ku mutekano mu Burundi.

Kirihweza ivya politike,agateka ka zina muntu, umutekano hamwe n'ubutungane uko vyifashe muri ico kiringo caco.

Kiraraba uburenganzira bw'abantu no muri politike,kigahereza mu gusozera.

Kuri ubwo, muri iki kiringo c'iyi ndwi,agateka ka zina muntu hamwe n'umutekano bimeze ugukwirikira : abantu 8 barishwe harimwo imanyi yakorowe kubushake bwa mweneyo, 3 bishwe n'abakoreshwa na Reta,2 bishwe n'abataramenyekana hamwe na 2 bishwe kubera ivyo baheraniraniye. Iki cegeranyo kirashikiriza kandi ivy'abantu2 baborejwe igufa, 4 bafashwe ku nguvu bakanakubagurwa bifatiye kugitsina, abantu 3 banyurujwe hamwe n'abahagaritswe bidakurikije amategeko benshi.

## *I. UMWIHWEZO*

### *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE*

**Umugambwe UPRONA urashikiriza ikumirwa ry'abanywanyi bawo mu bagize utuzu tw'amatora**

Mu nama yabaye k'uyu w' Imana ku wa 4 Rusama muri zone Rujago,uwurongoye umugambwe UPRONA mu ntara ya Cibitoke ya kera, akaba n'icegera mu ntara nshasha ya Bujumbura (igizwe na Bujumbura, mugisagara,Bujumbura mu misozi, Bubanza na Cibitoke), yarashize ahabona ukutubahiriza ingingo ya 40 yo mu gitabo kigenga amatora. Aragiriza umugambwe uri ku butegetsi ibikorwa vy'iterabwoba ukorera abanywanyi biwe akongera agasaba itunganywa ringanisha munteguro y'amatora.

Icuka ca politike kirakaze mugihe amatora yimirije mu ntara ya Cibitoke. Uwurongoye umugambwe UPRONA muri iyo ntara, Stanny Iranyibutse, yaraseruye akababaro kiwe kuvyo yita kutubahiriza igitabo c'amatora. Mugihe yari mu mubonano hamwe n'abanywanyi b' umugambwe wiwe i Rugajo, muri komine nshasha ya Mugina,yarashikirije ko ingingo ya 40 y'igitabo c'amatora itubahirijwe mugushiraho abagize utuzu tw'amatora.

« Nta munywanyi n'umwe wo mumugambwe wacu yashikiriwe mu bagize utuzu tw' amatora. Ni akagaye kibonekeza », yaraneguye. Kubwiwe, urwaruka ruhurikiye mu mugambwe CNDD-FDD baragwiza ibikorwa vy'iterabwoba rigirigwa abanywanyi ba UPRONA,mukubabuza gukora bidegemvya ibikorwa vya politike ku rubuga.

Kuri ivyo, Iranyibutse atera akamo umugwi CENI gufata kumwe imigambwe yose kandi bakorere ku mugaragaro mu guharura amajwi. « Dusavye umugwi CENI gutegura amatora adakumira kandi arimwo ukuri. Umugambwe wose utegerezwa kwimbura amajwi warose vyukuri », yarashimangiye.

Naho bahuye n'ingorane, abanywanyi b'umugambwe UPRONA baba muri ako karere baremeza ko badahemukira umugambwe wabo kandi bavuga ko biteze intsinzi. « Ntituzorekura UPRONA. Turindiranye ituze umusi w'amatora kugira twerekane inguvu mu masandugu y'amatora », baravyemeje.

*I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 1)*

**Inama y'umugambwe UPRONA muri komine n'intara ya Ruyigi**

Kuwa 10 Rusama 2025, umugambwe UPRONA wateguye inama muri komine nshasha ya Ruyigi ihurikiyemwo amakomine ya kera ya Ruyigi,Bweru na Butezi.

Kubwo amakuru dukurayo,mw'ijambo ryiwe, Serges Njebarikanuye, umunyamabanga wa mbere w'umugambwe UPRONA mu ntara nshasha ya Buhumuza yaratumiriye abanywanyi b' uwo mugambwe kwitegurira gutora amakarata yo gutora. Yarashimitse ko ata guta ayo mahirwe kubera umwanya wo gutanga ayo makarata usanzwe uri mutoya, ni ukuvuga kuva kuwa 12 gushika kuwa 14 Rusama 2025. Yaranabariye abanywanyi b'umugambwe ko batokangwa n'iterabwoba ry ' urwaruka rw'umugambwe CNDD-FDD.

Yaravuze ku bigisha bakwiragijwe hose n'abanywanyi b' umugambwe uri ku butegetsi bavuga ko uwutazotora umugambwe CNDD-FDD azokwicwa canke akomorwa mu gihugu. Yaranadomyeko urutoke amatera bwoba ko uwutiteguriye gutora CNDD-FDDyoshobora gutanga ikarata yiwe kumunywanyi w' umugambwe CNDD-FDD hanyuma akaja ku mutorera.

Mu rwaruka rw' imbonerakure bavuzwe muri abo bigisha, hariho nka Eliudi Ntakarutimana, uwuserukira urwaruka rw' Imbonerakure muri karatiye Sanzu, Isaie Nsengiyumva umuyobozi w'ishure shingiro Nkavyi, Jean Claude Citegetse batazira Ciclo yigisha kw'ishure shingiro rya Gasanda. Yaranashikirije ingorane z'igitoro zibonekeza muri ino misi kandi ishobora kuba intambamyi mu bikorwa vy'amatora.

« N'aho hari izo ntambamyi zose,umugambwe UPRONA uriteguriye kuja mw'ihiganwa n'iyindimigambwe », vyongewe ko n'umunyamabanga wa mbere w'umugambwe UPRONA muntara ya Buhumuza. Umugambwe UPRONA uzoja mu matora mu makomine yose y' intara za Ruyigi na Cankuzo mu matora y'amakomine havuyemwo muri komine Gisuru aho umugambwe CNDD-FDD wonyene ariwo uzoja mu matora muri ako karere.

**Imigambwe iriteguriye amatora mu ntara ya Rutana**

Indwi yo kuwa 5-11 Rusama, mu ntara ya Rutana, nko mu ma komine yose, umugambwe CNDD-FDD warateguye amanama y'abanywanyi bayo afise ku rutonde rw'ivigwa amahoro n'umutekano, gutegura amatora hamwe no gutora amakarata yo gutora.Muri komine Bukemba, kuwa 6 Rusama 2025, umugambwe CNDD-FDD wateguye inama y'abanywanyi, i Gihofi kugira bategure amatora yimirije.

Kuri komine Giharo, isango ryari kuwa 10 Rusama2025. Umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD wateguye inama mu ma zone menshi : muri zone Giharo,ku mitumbaGiharo,Nkudye, Kanyererwe, Bayaga, Mura, Gitanga na Musenyi ; muri zone Gakungu, ku mitumba Mugombwa, Murembera, Gakungu, Nyamateke na Ngomante, muri zoneButezi, ku mitumba Butezi, Rubanga, Mwebeya, Mutwana na Buhogo hamwe nomuri zone Muzye, ku mitumba Muzye ,Shembe na Gatonga.

Muri komine Rutana,kuwa 09 Rusama 2025, harabaye inama y'Abagumyabanga mu ma zone Gitaba na Rutana. Kuri ubwo abajejwe kwigisha umugambwe muri zone Rongero bateguye inama bagirisha a Bagumyabanga bo kumutumba Rongero.

Kuvyerekeye komine Mpinga-Kayove, kuwa 10 Rusama 2025, abigisha umugambwe muri zone Mugondo barateguye amanama bagirisha a Bagumyabanga b oku mitumba yose yosey'iyo zone.

Kuvyerekeye komine Gitanga, kuwa 10 Rurama 2025, umugwi utwara umugambweCNDD-FDD ku rwego rwa komine(Komine Rutana) kubwo igaburwa rishasha warahuye n'abigisha bahurikiye mu mugambwe CNDD-FDD ba komine Gitanga ya kera.

*I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 2)*

Twokwibutsa ko mu makomine yose y'intara ya Rutana, nka bose mu barongoye utuzu tw'amatora ni abayobozi b'amashure shingiro kandi abagize utwo tuzu nka bose bakomoka mu mugamwe CNDD-FDD.

Kuwa 11 Rusama 2025, mu nzu y'ingenzi ya BPEAE Rutana, muri karatiye Majambere, muri komine n'intara ya Rutana,urunani rw'imigambwe « BURUNDI BWA BOSE » rwarateguye inama ku banywanyi barwo ba zone Rutana. Kurutonde rw'ivyigwa hariko gutegura amatora, gutora amakarata y'amatora hamwe n'ukwiyamamaza.

Kuwa 10 Rusama 2025, umugambwe SAHWANYA-FRODEBU warateguye inama y'abanywanyi bayoku mutumba Bugiga kwa Ntahobama mu ntumbero yo gutegura kwiyamamaza buca bitangura.

**Inama y'umugambwe CNDD-FDD, muri komine Kayogoro, intara ya Makamba**

Kuwa 6 Rusama 2025, muri Komine Kayogoro, intara ya Makamba, umugambwe CNDD-FDD uciye kubigisha umugambwe bo muri zone Gatabo barateguye urugendo rwo mu ma nama shingiro yo ku gacimbiri Kibenga kandiku rutonde rw'ivyigwa harimwo amahoro n'umutekano, gutegura amatora hamwe no gutora amakarata y'itora. Kuri uwo musi nyene abigisha umugambwe bo ku mutumba Nkaramanyente barahuye n'Abagumyabanga bo kuri uwo mutumba ku rutonde rw 'ivyigwa hari ivyo nyene.

Muri zone Mugeni, kuri uwo musi nyene, bahuye n'Abakenyererarugamba bo muri iyo zone kugira babahimirize baje gutora amakarata ubwambere. Kuwa 8 Rusama 2025, abigisha umugambwe muri zone Gatabo barahuye n'Abagumyabanga ba zone kuri rwarutonde nyene.

Kuwa 10 Rusama 2025, muri zone Mugeni, umugwi utwara umugambwe CNDD-FDD muri zone urikumwe n'uwahoze ari musitanteri wa Komine Kayogoro yaragendeye imituma Buhema na Kigomagoma kandi ku rutonde rw'ivyigwa hariko amahoro n'umutekano, gutegura amatora, gutora amakarata hamwe no gutegura umusi wo kugurura imyiyamamazo y'amatora ku rwego rw' intara ya Burunga. Bitegekanijwe kuwa 16 ma 2025.

**Umugambwe CNDD-FDD urahinduye imikenyuro yo guhimiriza mu yahoze ari intara ya Cankuzo**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 9 Rusama 2025 ivuga ko mu ntara ya Cankuzo, umugambwe CNDD-FDD wahinduye umukenyuro wo guhimiriza. Kubwo amasokodukurayo, haboneka imigwi y'abanywanyi ba CNDD-FDD baca kunzu kunzu gutera akamo abanywanyi gusidukana n'iyonka bagana aho biyandikishirije gutora amakarata.Ivyo biboneka mu bisagara cokimwe no mumitumba.

**Amajambo abiba urwanko muri komine Kabarore y'iyahoze ari intara ya Kayanza**

Kuwa 9 Rusama 2025 k jouru mutumba Buyumpu muri zone Rugazi yo muri komine kabarore, intara Kayanza ya kera, abayoboke b'ishengero Adventiste du 7eme barateguye ibikorwa rusangi. Gaspard Nsabiyaremye, ava kuri uwo musozi, arongoye inama mpanuzwa jambo ya komine Kabarore akaba n'umugenduzi w'amashure mu buyobozi bw'indero mu ntara ya Kayanza ajejwe ivy'abakozi yaraje mu bikorwa mu mwambaro w'umugambwe uri ku butegetsi afise ku rutugu ikintu gisa n'inkoho.

*I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 3)*

Kubwo abavyiboneye, inyuma y'ibikorwa, yarakoranije abari mubikorwa aca ababwira n'imvugo yo gukankama. « Ku bantu bose baba kuri uno mutumba Buyumpu, ndabagabishije,nti tugifyinata, imisi yanyuma twarahunze, ntituzosubira;vyarakwiye. Mumenye ko hageze gutora, turazi ko hariho abazimijwe n'abavuye muyindi migambwe nka CNL, mumenye ko uwuzotora CNLabwirizwa kurondera iyo azohungira, ntazobandanya aba ku gatumba iwacu, arondere hakiri kare iyo azoja. Rero, umufa w'imbwebwe unyobwa ugishushe, ni ukuvuga ko kumusi w'amatora umuwutwara Inama shingiro wese ategerezwa kuza isaha 12 zo mugitondo arikumwe n'abanywanyi biwe. » Kubwo abo babibonye nyene, abantu boku mutumba Buyumpu bafise ubwoba bw'iyo mvugo y'umugabo bahora bagira ngo ni umuhumure kandi afise amabanga mu nama mpanuzwa jambo ta komine,hamwe no mugwego rwa Reta rukomeye nk' ubuyobozi bw'indero mu ntara. Mugihe ayo majambo ashikirijwe n'umwubahwa, ariho bagitangura kwiyamamaza,abahaba, cane cane abanywanyi b'iyindi migambwe, iri ku rubuga i Kabarore,atari uwuri ku butegetsi baratinya ko hazorwa ibara mugihe c'amatora hamwe atacokorwa ngo bahagarike umuntu nka Gaspard Nsabiyaremye mugihe n'abubahwa b'igihugu barimwo, umukur w'igihugu bahamagarira abanyagihugu kugumana ituze muri iki gihehe gikomeye nk'ikic'amatora mu butandukane bwabo kuvyerekeye imigambwe bahurikiyemwo.

## Ihagarikwa ry'agasakisaki hamwe n'amabi akoregwa abanywanyi b'urunani « Burundi bwa Bose » mu ntara ya Makamba

Abanywanyi benshi b'urunani « Burundi bwa Bose » hamwe n'abo umugambwe CNL barahagaritswe kandi barahohoterwa muri ino misi mu ma komine menshi y'intara ya Makamba,mu bumanuko bw'u Burundi. Ivyo biba mugihe hari icuka kibi amatora yegereje ategekanijwe kuwa 5 Rusama 2025

Ku mutumba Gasange muri komine n'intara ya Makamba, Nzoyihaya Vincent, aserukira urwo runani ku mutumba Gasange,yarahagaritswe aca apfungirwa mw'ibohero rya komisariya ya komine Makamba kuwa 7 Rusama 2025. Kuri uwo musi nyene, Hatungimana Gaspard, aserukira urunani muri zone Kabuye yo muri komine Makamba,nawe nyene yarahagaritswe n'aba polisi bafatanije n'Imbonerakure. Kubwo ababanyi, yarashoboye gucika kw'icumu ntiyapfungwa ariko kuva ico gihe ari mu kinyegero.

Muri komine mbanyi yo mu Mabanda,abandi banywanyi b'urunani nabonyene barahagaritswe muri iyi ndwi, mubintu birimwo agapfungu kubwo abaserukira urunani Burundi bwa Bose mu ntara ya Burunga. Ku musi wa kabiri wakurikiye, abanywanyi b'urunani « Burundi bwa Bose » bahagaritswe ubwa mbere karakubabaguwe ku mutumba Kabo. Urwaruka rw' Imbonerakure babagirije ko batatse igipolisi kuvyo Benjamin Niyoyankunze, umwe muribo, yagerageje guca ukuboko kwa Jonas Niyomwungere, umunywanyi w' urunani, mw'ijoro ry'uwaganu rishira uwa gatandatu. Naho yakoze ibidakorwa, Benjamin ntiyahagaritswe, Imbonerakure zo muri iyo komine zarankiye polisi ko imufata.

Kumutumba Buheka muri komine Nyanza-Lac, umunywanyi azwi ku ritazirano rya Parizi nawe nyene yarakubaguwe n'Imbonerakure imbere y'uko ajanwa ku kirindiro kihegereye ata atansiguro ziboneka. Kubwo abaserukira urwo runani,abanywanyi bagirizwa n'Imbonerakure ko bafise ibimenyetso vyoba vyagenewe gukoreshwa mugihe c'imyiyamamazo y' amatora muri Ruheshi. Twomenyesha kandi ko muri komine Kayogoro,abanywanyi babiri ba CNL ubu bapfungiwe mw'ibohero rya senyare ya Makamba, mugihe abandi bari mu kinyegero. Banuganuga ko bakwiragije inyandiko zitagira umukono muri iyo komine. Abaserukira urunani « Burundi bwa Bose » baridogera ivyo bikorwa bafata nk'imikenyuro y'iterabwoba rya politike mugihe amatora yegereje.

## Kugurura kumugaragaro imyiyamamazo y'amatora mu bihe bitoroshe

Ku kibuga Ingoma c'igitega, kuwa 9 Rusama 2025, Evariste Ndayishimiye, umukuru w'ihihugu,yaratanguje ku mugaragaro ibikorwa vyo kwiyamamariza amatora hari abaserukira imigambwe, abaserukira ibihugu n'abameyeshamakuru, ariko abatavuga rumwe na Reta batahashitse, urunani Burundi bwa Bose bafashe ingingo yo kutaja muri ivyo birori. Iryo yugururwa ryabaye mugihe hari inzitizi mu matora, ikumirwa ry'abatavuga rumwe na Reta hamwe n'amajambo y'umukuru w'igihugu atitangira itama,vyerekana amakenga akomeye kuvyerekeye umugaragaro w'amatora yimirije. Umukuru w'i gihugu yaragabishije abo yikeka ko bashaka kudurumbanya mu kuvuga ati : « Abazodurumbanya bazokwirikiranwa n'ubutungane kandi bazohanwa bimwe vy'akarorero ». Yise abasitanteri bamwe bamwe,yagiriza ko begereye abatavuga rumwe na Reta,ko ari « abakozi ba shetani ».

Iryo jambo riteye amakenga ry'umukuru w'igihugu hamwe n'ishirwaho rya CENI y'amahinyu bitanga ubutumwa bwibonekeza kwitunganywa ribi ry'amatora, bituma haba icuka kibi c'amatora. Imigambwe ibandanya yidogera ikumirwa ryuzuye mu nzego zijejwe gutegura amatora. Mu bisanzwe, Nestor Girukwishaka, arongoye CNL, avuga ko ku banywanyi 77780 bagize utuzu tw'amatora, 164 bonyene bakomoka muri CNL,bangana nka 0,23 kw'ijana. Arashikiriza kandi icuka c'amatora kirangwa n'amahagarikwa adaciye mu mategeko, kubomora ingoro z'umugambwe hamwe n'amaterabwoba agirirwa abanywanyi.

Ni ukumenya ko kwiyamamaza bitanguye mugihe igihugu kiri mu bukene butagira izina : amahera ata agaciro, ukubura ubuzi bw'ugwaruka birenze,gukena igitoro hamwe n'ibintu vya nkenegwa bitaboneka.

## Ihohoterwa ry'abatavugarumwe na CNDD-FDD muri komine Buhiga intara ya Karusi

Ivyagiriji vy'ihohoterwa vyaravuzwe ku munyamabanga wa komine Buhiga,mu ntara ya Karusi, arigirira abo badasangiye umugambwe arikumwe n'abandi banywanyi ba CNDD-FDD. Kuri uyu w' Imana 11Rusama2025 hafi igihe c'isaha 11, ku mutumba Rwingoma, muri zone na komine Buhiga, ku nzu y'ingenzi yitwa MANDERA,imiryango 11 y'abakozi ba Reta hamwe n'umwe w'umurimyi bararengukijwe n'uwuserukira CNDD-FDD, arikumwe n'umunyamabanga wa wa komine Karusi,yitwa Innocent Niyonkuru, hamwe n'umwubahwa w'umukenguzamateka NIBIRANTIJE J.Marie,aserukiwe n'umunyamabanga wa zone Alexis BANDYATUYAGA, hamwe n'uwutwara Imbonerakure mw'i komine,MBAZUMUTIMA Elysee.

Iyo nama yabaye atandongozi zihari. Icatumye harengukishwa iyo miryango ni kubera batari muri CNDD-FDD. Ubutumwa bahawe bwari ubwo gutora CNDD-FDD, naho atari abanywanyi b'uwo mu gambwe.Umwe mubitavye inama yarafashe ijambo kugira abaze kumvo zituma babafata nk'abo inyuma ya CNDD-FDD. Yavuze kw'ikumirwa abanywanyi ba CNDD-FDD bavuga kenshi, nko kumaharurwa yo mu kinyegero afatiye ku bwoko na politike.

Ariko, abo barongozi bishuye ko ryari ihimiriza risanze,naho nyene kwiyamamaza bitari bwatangure. Vyongeye, barabahaaye ibinyobwa,bakanabamenyesha ko vyavuye kumwubahwa no muri SCOM. Naho barondeye kubemeza, iyo miryango yasubiye iwabo n'amakenga. Bari bagizwe n'imiryango :

NTAHOMVUKIYE Moïse, Déo NDAYISHIMIYE, Philbert alias MUSONOTSI, RUGO'DO Salvator, NTEMAKO J.Bosco, WANSURAMUREKA Adrien, NTAKARUTIMANA Sylvestre, Bosco, NDUWAMAHORO INNOCENT, Jean Berchmans, Ezéchiel hamwe n'umurimyi: NZOMWITAKUZE Chany batazira bébé.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 5)*

**Ibendera ryatabuwe muri komine Buhinyuza, intara ya Karuzi**

Kuwa 02 Rusama 2025, hafi 1gihe c'isaha 1 y'ijoro,ku musozi Kigoma, zone Buhiga, intara ya Karusi, ibendera ry'umugambwe UPRONA rimanitse kuri uwo mutumba ahantu hitwa ku Kansoko, Riyazimana Felix, Imbonerakure umunywanyi w'inama nshingiro y'umutumba muri CNDD-FDD. Kubwo ababibonye,yari kumwe n'izindi mbonerakure zitamenyekanye.

Bukeye bwaho,yarahagaritswe n'igipolisi aca ajanwa mw'ibohero rya komisariya y'intara aho yaraye ijoro rimwe. Kubera abanywanyi ba UPRONA bari batanze ibirego ku nyamiramabi, uwakoze icaha yararengukishijwe ku gipolisi, aca arumvirizwa hari abaserukira umugambwe UPRONA ku mitumba.Yaremeye icaha n'ahoyase kuvuga abo babifashanije. Yashize umukono kurwandiko rwemeza ko agiye kugura irindi bendera yongere arimanike aho irindi ryari. Kubwo ivyo vyabona vyaho, abo ba polona bo munkambi y'impunzi z'abatutsi mu 1993 aho iryo bendera riri bararahiye ko hamwe atovyubahiriza, bazoca bihanira.

## *I.2. ISHUSHO RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU*

**Gushiraho abagize urwego CNIDH bashasha inyuma y'aho uwari arurongoye abihebeye**

Kuwa 8 Rusama2025, itegeko ry'100/056 ryarashizweho ,rijanye no gushiraho abagize umugwi CNIDH, inyuma y'ikoraniro rya bose ry'inama nshingamateka ryabaye kuwa5 Rusama 2025 ryo gutora abagize uwomugwi.Abashizweho harimwo Musenyeri Martin Blaise Nyaboho, umwipisikopi w'aba anglicans wa diyoseze ya Makamba kandi ava mu bwoko bw'abahutu,aserukira umugwi, Gerard Bigemintwaza nk'icegera, Beyarice Nkurnziza nk'umunyamabanga, Jean Bosco Manirambona nk'umunywanyi, Ambassdeur Issa Ntambuka umuyanyi, hamwe na Gloriane Nimenya na Dyna Ndayumvire nabo nyene n k'abanywanyi.

Umushingamateka Niyonzima Costantin, arongoye akagwi kajeje gushiraho abakora muri CNIDH, yamenyesheje inama nshingama mateka muri iyo nama yo kuwa 5 Rusama 2025 ko abantu 114 aribo bazanye imyidondoro ngo basabe akazi, muribo 21 boba barahawe amahigwe yo yo gushikirizwa mu nama kugira hatorwe 7 bazogira umugwi CNIDH. Umugwi rero ugizwe n'abahutu 4 hamwe n'abatutsi 3, guserukirwa k'ubwoko abarongozi bashra imbere nk'icemezo co kudakumira, n'aho amahinyu atabuze mubijanye n'uburambe muvyo agateka ka zina muntu.

Iryo genwa ribaye mu ntumbero yo gusubiriza abanywanyi bose muribo 5 bazoheza ikiri ngo muri Rusama 2027. Ivyo bibaye mu gihe itegeko rya01/04 ryo kuwa 5 Nzero 011, rigenga ishigwaho rya CNIDH,ririko rirasubirwamwo,rigatera kandi kwitiranya. Imbere y'uko iryo tegeko rishasha rija mu ngiro,ingingo y'umukuru w'igihugu ry' 100/056 ryo kuwa Rusama 2025 iherutse umugwi mushasha w'abantu 7, navyo bikaba bikaba bivuguruza itegeko ryavuzwe.Iryo genwa ryabaye mu cuka kirangwa n'agasuzuguro, amacakubiri arengeje urugero, hamwe n'inzanko ziboneka. Vyongeye ata guca urubanza ku bubasha babitegako basanze barasesaguye ubutunzi bwa CNIDH barabusesaguye, icashizwe hejuru n'ibinyamakuru n'ibiregovy'isesagura vyaranze umugwi wakombowe,uherutse kwemererwa mu rutonde A, inyuma y'isuzumwa.

Kuva hagati muri Ndamukiza 2025, umukuru w'inama nshingamateka, Gelase Ndabirabe,yari yatanguje intumbero yo gusubiriza abanywanyi ba CNIDH kubera gukora nabi.

Uwuwurongoye, Dr Sixte Vigny Nimuraba, yari yasatswe imbere y'uko asohoka igihugu ciwe arikumwe n'umuryango muri Ndamukiza 2025.

Vyongeye,kubwa Gelase Ndabirabe,ariko yishura ibibazo vy'abashingamateka,abo ba komiseri bashizweho bava mu migambwe, I vyari kuvuguruza agateka ka zina muntu.Ku rundi ruhande,ishirwaho rya Musenyeri Nyabobo, kahise kiwe gateye amakega, ntirishimisha bose, Imigenderanire bavuga ki afitaniye na CNDD-FDD na bimwe muvyo yavuze kera Bizana amakenga ku bushobozi bwo guserukira CNIDH yigenga.

## *I.2. ISHUSHO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU (Ibikurikira urupapuro 6)*

Muri 2015, yari yaneguye n'ishavu abavyeyi b'imiyabaga ibiri yapfuye mumyiyerekano yo kwiyamiriza ikiringo canswe c'uwahoze ari umukuru w'igihugu Pierre Nkurunziza, mugihe yari arongoye umugwi ujejwe gutegura amatora mu ntara ya Makamba. Muri2019, yaravugiye intererano zo kunguvu z'abanyagihugu kugira bashigikire amatora ya 2020, asaba ko bokwirukana mu buzi abokwanka gutanga amahera.

## *I.3. ISHUSHO Y'UMUTEKANO*

### Imishamirano mu kibira

Kuva 2020, indyane mu Kibira zagumyeho. Naho bitaboneka ko zihuza ingabo za FDLR n'iza FLN hamwe n'abasirikare b'u Rwanda ku mupaka Nyungwe/Kibira, zaravyaye ibitero hagati y'izo nyeshamba n'imigwi itandukanye y'abasirikare, ababirongoye ntibamenya ko bamwe mubari muri Reta bahengamira ku nyeshamba.Ingwano zo muri Ruhuhuma 2023 zagana kwemeza inyeshamba z'abanyarwanda ko bafasha igisirikare c'u Burundi mu kugwanya M23, mugihe ivyabaye vuba hagati y'uwa 28 Ndamukiza n'uno musi bifise izindi ntumbero.

### Intumbero ya mbere : Guhagarika no gupfunga mw'ibanga

Mu ndyane zitandukanye, baguma batera akamo badahengeshanya,kandi ubwa mbere,inyeshamba zafashwe zapfungiwe I Mabayi imbere yo kujanwa ahantu bapfungirwa hatazwi kenshi kure y'abahagarariye agateka ka zina muntu canke umuntu wese arondera amakuru ku rubuga.Kuvyerekeye ico inyeshamba zahagaritswe zakozwa, Evariste Ndayishimiye wenyene hamwe n'abakozi b'igendereza ryiwe nibo babizi, ariko amakuru menshiavuga ko benshi muribo bicwa atarubanza baciriwe.Ariko,uko biboneka, intumbero y'abasirikare bakibahagarika yoba kwari ukubabaza bagaca babashikiriza indongozi z'u Rwanda.Babunguruza canke batabunguruza, bake baracika kw'icumu bagashinga intahe zishobora kuba atarizo iyo bajanywe mu Rwanda. Ubuherutse, akagwi k'abagwanyi 5, harimwo umukenyezi umwe, karafashwe, kandi umwe muribo yaciye yicwa bakimufata. Kuwa mbere 5 Rusama,bari bagipfungiwe i Mabayi.

### Abanyagihugu b'abarundi bavyivanze bagahagarikwa

Reta ya CNDD-FDD ntizokwigera ihakana imfashanyo ku nyeshamba z'abanyarwanda ba FDLR kuva 2008 hamwe na FKN gushika 2020.Kimwe mu vyemezo vyibonekeza cane n'uko abanyagihugu,nk'Imbonerakure, barose amahugurwa kugira bafashe izo nyeshamba mukubaga ivyo bakenera kumusi hamwe no kubereka aho baca mu kibira, akarere benshi muri izo nyeshamba batazi. Izo Mbonerakure,zivuka I Mabayizari kandi zijejwe kwereka izo nyeshamba ibirombwe vyishi vy'inzahabu bacukura. Igihe cose habaye indyane, ihagarikwa ry' inyeshamba hamwe n'abanyagihugu vyaribonekeje.Bagirizwa ko bifatanya n'inyeshamba,bamwe muri bo bavundiye mu Mpima no mu busho butazwi;abanda barishwe, nka Isidore Niyongabo,batazira Maisha,umunyamabanga wa komine w'Imbonerakure z'i Mabayi,hamwe n'uwahoze ari umurwanyi akomeye muri CNDD, Matwi, yahemukiwe n'intwaro yari yaragwaniye kandi yaraborejwe igufa aricwa.

## *I.3. ISHUSHO Y'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 7)*

**Intumbero ya Kabiri: Ibitero vyo guhonya inyeshamba zakubititse kandi atawuzitaho**

Kuva haba ihonyabwoko mu Rwanda 1994, ryateguwe rigashirwa mu ngiro na MRND ifashijwe na FAR, yahavuye ivamwo FDLR iri Kivu no mu kibira, Kongo n'u Burundi vyonyene birafasha uwo mugwi. Ikindi gice c'isi gisa n'ikitabinezwe. Naho nyene bavyiteye, barakeneye gutunganirizwa no gukingirwa. Kubwo amahirwe make,uko gukingirwa barakubuze,kandi amakungu, hamwe n'abaharanira agateka ka zina muntu, bategerezwa kugira amatohoza kandi bakabona ko ubwicanyi bwo mugacerere buriko buba mu Burundi,canecane mu Kibira, burondera inyeshamba z'urwanda.

Ni ngombwa ko twibutsa ko benshi muri izo nyeshamba bari bafise hagati y'imyaka 15 na 50 igihe haba ihonyabwoko. Abacitse kw'icumu uno musi bari muri 40;50; mbere na 60, ariko benshi muribo ntibagishoboye ingwano, kiretse ko bofasha umugwi.Bamwe muribo ni abadandaza baba i Bujumbura hamwe no ku migwa mikuru y'igice c'epfo ca afirika nka Harare,Lusaka,Maputo, Lilongwe,hamwe n'ibindi, mbere n'I Buraya. Twomenya ko abagwanyi bubu ari urwaruka kandi bavyawe n'abacitse kw'icumu canke abasigwa b'abitavye Imana kera. Abo bagwanye bafashe inzira baja muri Kongo kuva muri Nzero, Ruhuhuma na Ntwarante 2025 kugira bunganire, haba ku bushake ku nabi,aba FDN,aba FARDS, hamwe no kumigwi igwanya M23.

Ni abasigaye mu kibira, kubera imyaka canke kubura aho baca, batari mu mugwi wa mbere (ababayeho bisanzwe ariko bashigiye umugwi mu gutanga uburyo) canke mu wakabiri (abariko baragwana).

Ni uwo mugwiwa gatatu uriko ubonera amakuba mu Kibira.Batagira nahamwe boja, i kibira nico conyene buhungiro bwabo. Intwaro ya Ndayishimiye ntigikeneye kubabona.

Kubera iki none bokina intambara kugira bice abantu badashobora kwivuna?

Birakenewe ko twomenyesha ko izo ntambara ziriko ziba ari imikino.Batagira inguvu zikwiye ngo bivune, inyeshamba zikubitirwa mu kinyegero,barafatwa kandi bakicwa hakoreshejwe amasase menshi hamwe n'ibisasu biturika kugira berekane indyane. Vyongeyeye,muri iyi misi iheruka, nta ntambara nyazo zabaye, naho havuzwe gutakaza ku ruhande rwa FDN, ivyatumwe no kurinda bidasanzwe vy'abagwanyi bamwe bafashwe canke bakicwa bariko bagerageza kwivuna.

Ingabo za SADC zimaze gukugwayo kandi hakaba imishikirano itari yitezwe hagati ya Kinshasa na Kigali, intwaro ya Ndayishimiye,yagirizwa gukingira no kuraza inyeshamba z'u Rwanda, baja muri ubwo bwicanyi kugira bakubure i kibira, umukenyuro kugira biyeze kubabibona 9 ( isoko ryo mu gisirikara).

**Intubero ya gatatu : Icipfuzo ca Ndayishimiye co kuronka uko yihagira urudandazwa rw'inzahabu zo mu kibira**

Aho kwitwararika ivyo abanyagihugu bakenera imisi yose,kuba ari mu kibira bisa n'ivyataye igihe cane. Akarere kiziziwe n'ibikoko hamwe n'ibiterwa, aho hantu haba kandi abagwanyi haraciye imyaka irenga 15. Bagira utudumbidumbi hirya no hino y'aho bacukura ubutare,isoko ryamye risahiriza mu kubaho kwabo, kudandaza no kwiyunguruza vyabo.

Inyuma y'aho baviriye muri Kongo,benshi muri abo bagwanyi,abakiri ngaho babwirizwa kwicwa kugira inyungu z'umukuru w'igihugu hamwe n'abamukikije zishirwe imbere.

*I.3. ISHUSHO Y'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 8)*

**Isakwa hamwe n'ubusuma muri komine n'intara ya Ruyigi**

Kuwa 8 Rusama 2025, igipolisi cagize isaka mumazu y'ubudandarizo ari ku murwa mukuru w'ikomine ya Ruyigi. Kubwo amakuru dukurayo, iryo sakwa ryari rigamije kurondera ikinyobwa citwa Good wine. Ico gikorwa carabaye ku mugwa mukuru wa zone Rusengo aho amakarato y'ico kinyobwa yafashwe kubadandaza bamwe.

Muri iyo komine nyene,kuwa 10 Rusama 2025, mu muhana,muri karatiye Sanzu,impene yaribwe kwa Leonidas Ndariye kandi iyo mpene yabagiwe aho nyene. Urwaruka rw'Imbonerakure nirwo banuganugwa muri ubwo busuma kubera aribo bakizura mu makaratiye yo mu gisagara ca Ruyigi hagati.

**Itoroka mw'ijoro kw'ibohero ry'i Bubanza : abanyororo batatu bafashwe**

Abapfungwa 3 bagirizwa ubusuma bukabije baratorotse mw'ibohero ry'i Bubanza mw'ijoro ryo kuwa 9-10 Rusama 2025, hafi igihe c'isaha 1 y'ijoro. Amasasu yarumvikanye haciye akanya batorotse, bitewe vyerekana ko abapolisi babakwirikiranye. Kubwo abarongoye ibohero, abatorotse baciye bafatwa vyihuta kandi bazotegerezwa kuronswa ibindi bihano.

Abantu baba iruhande yahoo bemeza ko bumvise amasasu menshi haciye iminuta mikeyi batorotse. "Amasasu yava mw'ibohero.Bari abapolisi bagerageza gufata abatorotse", vyavuzwe n'uwutashats kumenyekana.

Kubwo amakuru yegereye ubutegetsi bwo mw'ibohero, abo 3 bava mu makomine atandukanye y'ako karere: umwe w'i Musenyi, muri komine Mpanda,uwundi w'i Musigati, uko ari 2 mu ntara ya Bubanza, mugihe uwagatatu ava mu ntara ya Ngozi.

Ibikorwa vyo kubarondera vyatanguye ubwo nyene vyatumye babatora mu mwanya muto.Uburongozi bw'ibohero buvuga ko abo bagabo 3 baciye bahagarikwa basubira gupfungwa. Bazokwirikiranwa ku caha co kugerageza gutoroka hejuru y'ivyo bari bapfungiwe.

**Imbonerakure yirwaniye mugihe bayihagarika muri komine Nyanza-Lac, intara ya Makamba**

Kuwa 5 Rusama 2025, ku mutumba Kabo, zone Muyange, komine Nyanza-Lac, intara ya Makamba, ihagarikwa rya Benjamin Niyoyankunze, Imbonerakure, yagizwe ko amakenga cane ku gitero cagiriwe Jonas Niyomwungere umunywanyi w'umugambwe Sahwanya FRODEBU kandi akaba umunywanyi w'urunani Burundi bwa Bose ryaranse. Igitero cari cabaye mw'ijoro ry'uwa 2Rusama 2025 kandi uwo Jonas yahahatse kunigwa.

Mugihe igipolisi caza, ihimiriza ry'imbonerakure nyinshi ryarabaye ziranka n'inguvu ko ico gikorwa kiba.Icuka kibi caratanguye,baratsoza aba polisi,baca barasubira inyuma bategetswe n'uwubaronguyekugira ntihabe akajagari. Abarongozi ntibarabimenyekanisha iyo nkuru kumugaragaro, ariko ico cerekana ingorane nyinshi zijanye no gushira mungiro ubutungane mugihe hari icuka ca politike kumutumba.

*I.4. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE*

**Urubanza rw'ikibiriraho rwaciwe na sentare nkuru y'i Bururi**

Umuntu yagirizwa gukubita agakomeretsa vyatumye mwene se wabo yitaba Imana, Minani Mechack, akurikiranwa no gukubita agakomeretsa kandi yabiteguye vyandurutsemwo urupfu rwa mwene se wabo Ndayihereje Libere, yakatiwe umunyororo w'imyaka 2 n'amezi 6. Urubanza rwa somwe kuwa 6 Rusama 2025 inyuma y'umutaga na sentare nkuru ya Bururi. Vyatewe n'ishamirana rya cenewabo na cenewabo, ryahavuye rihera hapfuyemwo umwe. Uwuserukira Reta mu rubanza,mugiye rwacibwa ikibiriraho ku wa gatanu uheze, yari yasavye umunyororo w'imyaka 20 kuri Minani Mechack.

Ariko, ubutungane bwasomye umunyororo w'ikiringo kiri musi barenzako umukando w'amahera. Hejuru y'umunyororo, sentare yategetse Minani Mechack kuriha umukando wa 10,000,000

*I.4. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE (Ibikurikira urupapuro 9)*

ku mutambukanyi w'umuhisi, nk'indishi y'akababaro. Hamwe atovyubahiriza, azoca ashirwa kumyaka 50, kubwo abacamanza. Vyaranashizwemwo abandi bo mumuryango.

Kabura Renilde mushiki wa Minani Mechack bamwagirije kudatabara uwugeramiwe aca ahanishwa kuriha 2,000,000 ku mupfakazi w'umuhisi. Kuri ubwo, Nshimirimana Jacqueline uwundi mushikiwe, yikekwa kuba ari murivyo yarejejwe n'ubutungane. Minani Mechack yakwirikiranwa ko yishe mwene se wabo kuwa 25 Ndamukiza 2025. Iryo bara ryabereye ku mutumba Rushemeza komine n'intara ya Bururi.

## *II. AGATEKA K'ABANTU NO MURI POLITIKE*

## *II.1 AGATEKA KO KUBAHO*

### *II.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE*

### Gukorora inda muri komine Bugenyuzi, intara ya Karuszi

Kuwa 8 Rusama 2025, ku mutumba Gashanga, zone na komine Bugenyuzi,intara ya Karuzi, uwitwa Muhayimana,umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD, afise imyaka 26, yarakoroje inda y'amezi 7 abifashijwe n' Imbonerakure yitwa Fayida,akubura ku bitaro vy'i Karuzi. Kubwo ababibonye baho,yamuhaye amahera angana na 170,000 kandi uwamuteye iyo nda ni BIZIMANA Benjamin Imbonerakure. Umugabo yaragiye mu Buganda, haciye umwaka n'inusu. Imaze gukoroka,Benjamin yaciye ahunga mugihe umugore be n'uwamufashije barahagaritswe na police baca bajanwa mw'ibohero rya komine Bugenyuzi aho bapfngiwe kuva kuwa 9 Rusama 2025.

### *II.1.2. ABANTU BISHWE N'ABAKORERA RETA CANKE IMBONERAKURE*

**Umuntu umwe yarishwe, muri komine Gisuru, intara ya Ruyigi**

Kuwa 4 Rusama 2025, Ndemera, umudandaza, wo ku mutumba Kabuyenge,komine Gisuru, intara ya Ruyigi,yarafashwe n'igipolisi c'u Burundi gikorera kurubibe rwa Gisuru muri iyo komine nyene kandi yaciye ashikirizwa igipolisi ca Tanzaniya.Ndemera yagirijwe ko arongoye akagwi k'abasuma bibisha ibigwanisho muri Tanzaniya kandi yaciye yicwa n'igipolisi ca Tanzaniya kandi gushika ubu umuryango wiwe uguma usaba ngo bawuhe i kiziga.

**Umuntu ashikana imyaka 60 yishwe muri komine Murwi, intara ya Cibitoke**

Mw'ijoro ryo kuwa 6-7 Rusama 2025, ikiziga ca Darius Nduwayo afise imyaka 62, umuvyeyi w'abana 9 caratowe ku mutumba Kigazi,zone Buhayira, komine Murwi, intara Cibitoke.

Kubwo ababibonye, ico kiziga ca Darius Nduwayo catowe munzu iwe ,yishwe n'imipanga ari mw'itiro.

Kubwo amakuru dukuraho,uwishwe,yoba yatewe mw;ijoro n'abantu bataramenyekana. Ariko, urukurukuru rugaruka ku Mbonerakure zibiri z'umugambwe uri ku butegetsi,zamaze gufatwa n'igipolisi. Abo rero baranegereye abavyeyi b'umuhisi.

Inkuru y'uwutashimye kumenyekana ivuga ko urwo rwaruka rw'abahungu 2 bahagaritswe bama bavuzwe mu bwicanyi buyobeye mukarere. Kuba bikekwa muri ubwo bwicanyi bishobora kuba vyavuye ku rubanza rw'itongo, ruheruka gucibwa n'ubutungane hagatsinda Darius Nduwayo.

Abajijwe kuri ivyo vyabaye,Melchiad Nzokizwanayo, musitanteri,yamiriye kure uruhara rw' Imbonerakure muri ico kintu, avyita ibitagira ishingiro.

Musitanteri,aciye kuwamuserukiye, aremeza ko vyabaye kandi ahamagarira abanyagihugu kugumana ituze, ashikiriza ko amatohoza ariko araba kugira haboneke umuco kuvy'ubwo bwicanyi.

### *II.1.2. ABANTU BISHWE N'ABAKORERA RETA CANKE IMBONERAKURE*

*(Ibikurikira urupapuro 10)*

**Ikiziga catowe muri komine Murwi,intara ya Cibitoke**

Kuwa 7 Rusama 2025, ku mutumba Kigazi, zone Buhayira, komine Murwi, intara ya Cibitoke ikiziga ca Darius NDUWAYO, afise imyaka 62, caratowe munzu yiwe.

Kubwo ababibonye, ikiziga ciwe cari gifise ibimenyetso vyerekana ko yishwe n'umupanga n'abantu bamwubiriye asinziriye mw'ijoro ry'uwa 6 -7 Rusama 2025. Abarongozi bo ku mutumba baremeza ivyabaye kandi ko babiri bikekwako icaha bafashwe kumvo z'amatohoza. Abahagaritswe ni Imbonerakure incuti z'umuryango w'uwishwe kandimu miryango yabo,hariho amatati y'itongo.

### *II.1.3. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE*

**Ikiziga catowe muri komine Ryansoro, intara ya Gitega**

Kuwa 07 Rusama 2025, mu mazi y'uruzi Ruvyironza,rugeze ku mutumba Ndava,komine Ryansoro intara ya Gitega, ikiziga ca Leopold Mbisamatore,afise imyaka 42, caratowe n'abakozi b'ishirahamwe ry'umusaraba utukura. Kubwo amakuru dukurayo, ico kiziga cavuzwe n'abubatsi bo mw'ishirahamwe SONGA ENERGY mu ruganda rwo kubaka urugomero rw'umuyagankuba.

Leopold Mbisamatore yari yavuye kumuhana kuwa 2Rusama 2025 agana mu Ryansoro kandi ntiyagarutse. Ivyo bimeze uko mu gihe polisi yoyo ivuga ko yatwawe n'uruzi. Ikiziga ciwe cahambwe uwo musi nyene.

**Ikiziga catowe muri Komine Gashikanwa, intara ya Ngozi**

Kuwa 8 Rusama 2025, ku mutumba Rutanga, komine Gashikanwa, intara ya Ngozi ikiziga ca Claude Nkunzimana, afise imyaka 21, umunywanyi wa CNL ibaba rya Rwasa, caratowe kimanitse ku mugozi uboheye ku giti kiri mu murima w'ibiharage. Kubwo abahaba, icatumye uwo muntu apfa ntikizwi kandi ababa kuri uwo mutumba bavuga vyinshi bitandukanye. Komiseri w'igipolisi avuga ko amatohoza ariko araba.

### *II.1.4. ABANTU BISHWE KUBERA AMATATI*

**Umuntu yishwe n'uwo bavukana muri komine Gisuru, intara ya Ruyigi**

Kuwa 5 Rusama 2025, ku gacimbiri Nyarumashi,umusozi Rusange, zone na komine Gisuru,intara ya Ruyigi, Bizimana Augustin afise imyaka 36, yarishwe akubiswe n'umuvukanyi Msafiri Josias, akora isuku muri COOPEC Gisuru. Kubwo amakuru dukura yo,iyo nkuru iremezwa na Gad Ninganza, musitanteri wa komine Gisuru. Abo bavukanyi ntibumvikana kubera indyane z'amatongo kandi muri uno mwanya urubanza rwari muri sentare nkuru yo mu Ruyigi. Augustin yari yavuye ku gatumba aho avuka agana ku mugwa mukuru wa komine Ruyigi kubayo.

Kuwa 5 Rusama 2025, Augustin yaragiye gusoroma umurima wiwe mu Gisuru aca asanga ibitungwa vy'uwo bavukana vyarawonye. Yaramuhamagaye kugira abimwereke ko wononekaye kubera ibitungwa vyiwe hama uwo muvukanyi Msafiri, umutambukanyi wiwe hamwe n'umuhungu wiwe baciye baza ku mukubita gushika aho acikana. Ikiziga ciwe cagumye mu buruhukiro bwa'ibitaro vyo mu Ruyigi kubera umuryango w'uwitavye imana warase gutegura amaziko kandi wategetse umuryango wa Msafiri gutegura ayo maziko wo nyene. Muri iki gihe, Msafiri, umukenyezi wiwe kamwe n'umuhungu wiwe bapfungiwe muri komisariya y'intara ya Ruyigi.

### *II.1.4. ABANTU BISHWE KUBERA AMATATI (Ibikurikira urupapuro 11)*

**Umuntu yarishwe muri komine Muruta intara ya Kayanza**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 10 Rusama 2025 ivuga ko ku mus iwa 16 Ndamukiza 2025 mu ntara ya Kayanza,hari umugambi witwa « Merankabandi » uriko ukorera ku miryango ikenye caane ariko ugayumbera abakenyezi, kandi uwo mugambi watanguye gutanga amahera n'amaterefone ngendanwa ku bakenyezi bakenye cane kandi umwe wese yahawe 72000 y'ukwezi kwa Ntwarante na Ndamukiza 2025.

Kubwo amakuru dukurayo, kuwa 24Ndamukiza 2025 ku kutumba Nkonge komine Muruta,intara ya Kayanza, umukenyezi yitwa Nduwayo Donate afise imyaka 32 yararose ayo mahera mw'iterefone. Kuwa 26 Ndamukiza, yarayakuye muri terefone aca atangura kunywa inzoga zambiye. Kubwo ayomakuru nyene umugabo wiwe yitwa Kanyeshamba Bernard yamuhaye itegeko ryo gutaha muhira hama umugore aranka.Umugabo yaratashe wenyene asiga umugore mu kirabo.

Hafi isaha 12 umugore yaratashe kandi mugihe umugabo yagerageje kumwereka ko atanguye kwigenza nabi,umugore yafashe agafuni aca akamukubita mu mutwe.Uwo nawe yaciye yitaba imana ubwonyene.Umukenyezi ubu ari mw'ibohero ryo Mukayanza.

### *II.1.5. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO*

**Umuntu yanyurujwe muri komine Ntahangwa, Bujumbura mu gisagara**

Kuwa 6 Rusama 2025, hafi isaha imwe y'ijoro,mu karere bita ku kasoko, kari muri zone ButerereII, komine Ntahangwa, Bujumbura mu gisagara,Jean Marie Nizigiyimana, afise imyaka 60 kandi akaba afise abana 6, umunywanyi w'umugambwe CNL ya Rwasa yaracakiwe n'aba polisi batiriwe baramwereka umutahe.

Kubwo ababibonye, uwo yafashwe yaba muri karatiye 1, Buterere ya 2, komine Ntahangwa, mu Bujumbura mu Gisagara kandi yari umudandaza kw 'isoko rya zone Kamenge. Kubwo abo babibonye nyene, abapolisi benshi baraje hafi isaha 1 barikumwe n'Imbonerakure yitwa Claude nawe nyene aba kuri Buterere ya II hama aca amutuma urutoke niho abapolisi baca bamukikuza imbere yo gutangura kumukubita. Munyuma haciye haza ipikipiki ari nayo yatwaweko ajanwa ahantu hatazwi.

Amakuru dukurayo yatwemeje ko uwagize ivyago yaheruka kumara igihe mu kinyegero,inyuma y 'aho ahakiwe guhagarikwa muri 2023 na Joseph Mathias Niyonzima azwi kw'izina rya Kazungu.

**Umusirikare yanyurujwe muri komine Ntahangwa, Bujumbura mu gisagara**

Kuwa 9 Rusama 2025, mu gitondo,umusirikare yaranyurujwe muri karatiye Gasenyi, komine Ntahangwa, mu gisagara ca Bujumbura.

Mu bisanzwe, Eric yakora mw'igendereza ry'igisirikare G2. Bamukuye muhira iwe mu Gasenyi atwagwa n'umugwi w'abasirikare binjiye kunguvu iwe,baramuhagarika hanyuma bamutwara ahantu hatazwi. Bahuhura ko yahagaritswe n'abo bakorana bo muri G2. Abamwegereye hamwe n'abagenzi biwe bararajwe ishinga n'umutekano wiwe.

Umuntu yanyurujwe muri komine Ntahangwa, Bujumbura mu gisagara.

Kuwa 10 Rusama 2025, hafi isaha 4 z'ijoro,Aime Niyongabo, yaranyurujwe agishika ku muhana iwe mu Kinama, karatiye GitegaII,ibarabara 11 rigira85, komine Ntahangwa, mu gisagara ca Bujumbura.

Kubwo ababibonye, Aime Niyongabo, umudandaza, afise imyaka 34, yaranyurujwe n'abantu bataramenyekana. Ababibonye bavuga koimodoka Toyota y'ibara rikaze yahagaze imbere y'umuhana iwe. Agishika, abantu bambaye ibisanzwe barayivuyemwo, bamuterera muri yo,ica irahunga.

### *II.1.5. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO (Ibikurikira urupapuro 12)*

**Umuntu yanyurujwe muri komine Ntahangwa, Bujumbura mu gisagara**

Kuwa 9 Rusama 2025, mu gitondo,umusirikare yaranyurujwe muri karatiye Gasenyi, komine Ntahangwa, mu gisagara ca Bujumbura.

Mu bisanzwe, Eric yakora mw'igendereza ry'igisirikare G2. Bamukuye muhira iwe mu Gasenyi atwagwa n'umugwi w'abasirikare binjiye kunguvu iwe,baramuhagarika hanyuma bamutwara ahantu hatazwi. Bahuhura ko yahagaritswe n'abo bakorana bo muri G2. Abamwegereye hamwe n'abagenzi biwe bararajwe ishinga n'umutekano wiwe.

Umuntu yanyurujwe muri komine Ntahangwa, Bujumbura mu gisagara.

Kuwa 10 Rusama 2025, hafi isaha 4 z'ijoro,Aime Niyongabo, yaranyurujwe agishika ku muhana iwe mu Kinama, karatiye GitegaII,ibarabara 11 rigira85, komine Ntahangwa, mu gisagara ca Bujumbura.

Kubwo ababibonye, Aime Niyongabo, umudandaza, afise imyaka 34, yaranyurujwe n'abantu bataramenyekana. Ababibonye bavuga koimodoka Toyota y'ibara rikaze yahagaze imbere y'umuhana iwe. Agishika, abantu bambaye ibisanzwe barayivuyemwo, bamuterera muri yo,ica irahunga.

### *II.1.6. IHOHOTERWA RY'UBUZIMA N'UMUTEKANO W'ABANTU*

**Igeragezwa ryo kunyuruza umushingamateka muri komine Ntahangwa,mu gisagara ca Bujumbura**

Kuwa 10 Rusama 2025, hafi isaha 2 z'ijoro, umushingamateka Jean Baptiste Sindayigaya,yahatswe kunyuruzwa ku barabara rya 1 ahitwa ku gituro kigana mu buraruko,muri zone Kamenge, komine Ntahangwa, mu gisagara ca Bujumbura. Muri make umushingamateka yatowe mu ntara ya Kirundo kandi niyo avukamwo,komine Gitobe. Aba mu gisagara ca Bujumbura, komine Ntahangwa zone Rubirizi. Kuri uwo musi yari avuye imwaro hanyuma ahitse ku rya mbere ,imodoka yo mu bwoko bwa camionette toyota ifise ibiyo bitabona irazibira inzira y'imodoka yarimwo. Munyuma abantu bambaye ibisanzwe mugabo bafise inkoho barayivuyemwo baca bagerageza kumwuriza ku nguvu imodoka yabo, ariko yarirwaniye mu gukoma induru atabaza.Uwanyonga ingendeshwa yiwe n'abantu bari bahari barahashitse, harimwo n'aba polisi bari bahari. Abo bapolisi barashoboye kumurokora, naho nyene yakubiswe akanaborezwa igufa gushika n'aho ijisho ryiwe ry'ibubamfu rikomereka.Ariko aravurirwa ahantu hatavuzwe kubwo umutekano wiwe. Iryo totezwa rigirirwa uwo mushingamateka ryoba rifitaniye isano n'ikibazo yabajije umushikiranganji w'imigenderanire n'ayandi makungu kuvyerekeye itangwa ry'uburangamuntu hamwe n'ibibanza vyo kubakamwo mu gisagara ca Bujumbura, harimwo n'abaserukira abandi mu makaratiye atandukanye.Mu nyishu yatanze umukuru w'inama nshingamateka yasa n'uwukarira uwo mushingamateka agashigikira ko iyo itoba ingorane kandi ko abarundi bogenda muri Kongo nabo kugira basabe kandi bahabe. Ivyo vyashitse mugihe amashirahamwe yo mu gihugu na mpuzamakungu batuma urutoke aba FDLR bakunda kwinyegeza nk'abanya Kongo, bamwe bagashaka kuba i Bujumbura. Kuri ubwo indongozi z'abarundi zofashe uwo mushingamateka,umunywanyi wa CNDD-FDD nk'icago kuribo mbere no ku gihugu.

### *II.2. UBURENGA NZIRA BWO GUSONERWA*

### *II.2.1. KUBOREZW' IGUFA, AMABI ATAGIRA IZINA*

**Umuntu yaborejwe igufa muri Komine Tangara, intara ya Ngozi**

Kuwa 5 Rusama 2025, igihe c'isaha 4 zo mw'ijoro,Mudende Jean Paul yarakubiswe n'abapolisi 5 gushika aho ajanwa ku bitaro rusangi vy'i Musenyi muri komine Tangara intara ya Ngozi.

Kubwo ababibonye, Mudende yazize ko yabajije umugore wiwe icatumye ataha atevye avuye mu kabare mugihe yaraherekejwe n'abo ba polisi. Inyuma y'iryo bara, komiseri w'i gipolisi i Tangara yafashe ingingo yo gupfunga uwo mugore mw'ibohero ry'igipolisi gushika kuwa 6 Rusama 2025.

Umupolisi « De corps » yeteye urwo ruhagarara yarahunze ishavu ryinshi ry'ababa i Tangara aja muri komisariya y'igipolisi i Ngozi.

Umunywanyi w'umugambwe CNL yaborejwe igufa muri komine Mukaza mu gisagara ca Bujumbura

Kuwa 4 Rusama 2025, umunywanyi w'umugambwe CNL yarakubiswe n'Imbonerakure,muri karatiye NyakabigaI, ku barabara ry'7, komine Mukaza, mu gisagara ca Bujumbura.

Kubwo uwabibonye,Aimable Ndayisaba yari atashe iwe inyuma y'akazi aho yahura n'urwaruka rw'Imbonerakure ziriko zirakizura. Zaramuhagarites zica zitangura kumukubita n'inkoni. Yatabawe n'abahita bumvise induru n'amajambo bavuga bariko baramukubita : « hasha iyombwa y 'umu CNL ». Yaravuriwe mw'ivuriro rya SOS Nyakabiga.

### *II.2.2. GUSHURASHUZWA KU NGUVU N'AMABI AFATIYE KU GITSINA*

**Umukenyezi yafashwe ku nguvu muri komine Mbuye intara ya Muramvya**

Kuwa 8 Rusama 2025, ku mutuma Rwuya, komine Mbuye,intara ya Muramvya, Bizimana Anitha, afise imyaka 34, umurimyi, yubatse na Niyondiko Laurent yarafashwe ku nguvu n'abagabo babiri,bose baba ku mutumba umwe. Kubwo ababibonye, Anitha yari yasangiye utuyoga na Nsavyimana Dedith afise imyaka 38 na Nzitunga Celeus afise imyaka 40 bose b'abarimyi kandi abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD, ku kaguriro k'i Rwuya ku metero500 uvuye iwe.

Abo bagabo 2 bamusavye ko bomuherekeza.Yaremeye. Kubwo abo babibonye, bashitse hafi y'agashamba kegereye iwe nk'igihe c'isaha 1 y'ijoro, bamutegetse kwambura no kuryamana nabo,ivyo yanse.Baramuboheshej e igitenge ciwe baca bamushurashuza bakuranwa.

Bahejeje yarashoboye kuboroga hama amaborogo ashikira ababanyi. Baraje bamusanga ari gusa.Bukeye mu gatondo yarashoboye kuvuga ababikoze kuko yari abazi. Yarajanywe ku bitaro vy'i Muramvya,kandi ibipimo vyaho vyaremeje ko yafashwe kunguvu.

Umugabo wiwe yaragiye muri komisariya ya komine Mbuye kwitwara, inyamiramabi Ndikumana Salomon yarashoboye guhagarika Nitunga Celeus mugihe uwundi Nsavyimana Dedith yahunze. Uwikekwa ko icaha ubu apfungiwe mw'ibohero rya polisi i Mbuyekugira abazwe kandi igipolisi kiriko kirarondera uwo wundi yikekwako icaha.

**Umunyeshure yakorewe ivyamfurambi akongera agaterwa inda n'umudandaza muri komine Mabayi, intara ya Cibitoke**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 11 Rusama 2025, Hosiane Irakoze, umunyeshure wo mu mwaka wa 4 mu mashure y'intango kw'ishure shingiro Rutabo, zone Butahana yo muri komine Mabayi, yibungenze imbanyi y'abezi abiri inyuma y'aho afatiwe ku nguvu n'umudandaza azwi kw'izina rya Kubwayo.

Uwo mudandaza arafise i kirabo citwa ku « ku gikuta ». Ico kirabo,co kimwe n'ibindi birabo vy'aho hantu abantu bashika kuri 85% babeshejweho no gucukura inzahabu, gifise amazu yugaye bikorosha ubuhumbu,abana bato nibo bukwega cane. Abo muntwaro baho baragirizwa korosha ibiganiro biriha amahera hagati y'ababikora n'imiryango y'ababikorerwa.

*II.2.2. GUSHURASHUZWA KU NGUVU N'AMABI AFATIYE KU GITSINA (Ibikurikira urupapuro 14)*

Kubwayo ni uwisubiriza mugukora ubwo buhumbu gushika ubu yahora yidegemvya kubera ibiturire,kandi Hosiane Irakoze agira 3 mubo yononye mu kiringo kitarenza imyaka ibiri.Abo yononye ubwambere n'ubwa kabiri nabo nyene bari abanyeshure kandi baciye baba abagore biwe inyuma y'ibiganiro.Naho babihoze kandi abatware baho bakamufukafuka hamwe n'abavyeyi b'abana, Silas Bayiramye, umuyobozi w' ishure shingiro rya Rutaho,atera akamo imvukira za komine Mabayi zize hamwe n'abahagarariye agateka k'abana bagire urunani kugira basabe uwabikoze ahanwe.

**Abagore babiri bakubiswe muri komine Muruta intara ya Kayanza**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 10 Rusama 2025 ivuga ko kuwa 2 Rusama 2025, umugambi Merankabandi watanze amahera kubagore bakenye cane boku mutumba kavoga komine Muruta intara ya Kayanza. Kuri uwo musi nyene abagore 2 barakubiswe n'abagabo babo.

Kubwo amakuru y'ababibonye, Nshimirimana Odette yatashe hafi igihe c'isaha 2 z'ijiro yaborewe aca atangura gutuka umugabo wiwe Bigiringavyi Thomas amubwira ko ataco amaze, ko ari imbwa,..Thomas ashavuye, yarakubise umugore wiwe. Kubwo ayo makuru nyene,Mukeshimana Odila yagize nk'ivyo k'umugabo wiwe Gashonyi Libere kandi nawe nyene yarakubise uwo mugore yongera amuvuna ukuboko. Muri iryo joro nyene, abo bagabo 2 batwawe n'abatwara umutumba mw'ibohero rya komine Muruta.

*II.3. UBURENGA NZIRA KUMWIDEGEMVYO*

*II.3.1 GUHAGARIKWA N'UKUBOHWA BIDACIYE MU MATEGEKO*

**Abagendesha amapikipiki bapfungiwe ku mugwa mukuru w'intara ya Mwaro**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 10 Rusama 2025 ivuga ko kuwa 2 Rusama 2025.abagendesha ama pikipiki benshi bakorera ku mugwa mukuru w'intara ya Mwaro bamaze imisi mw'ibohero rya komisariya y'i ntara ya'igipolisi i Mwaro.

Kubwo ababibonye, imvo kwari kutitaba urugendo ry'umunezero kumusi mpuzamakungu wahariwe abakozi n'akazi. Kuwa 1 Rusama 2025. Nkuko bisanzwe,itegeko ryoba ryatanzwe na Buramatari w'intara hamwe na komiseri w'igipolisi mu ntara ya Mwaro.

Kubwo abonyene babibonye, bategerezwa kuriha amagarama kugira barekurwe. Abo rero barekuwe muri iryo bohero kuwa o8 Rusama 2025. Abandi bagendesha ama pikipiki bahisemwo kwinyegeza kugira ntibahagarikwe,ivyari gukora ku miryango yabo,ariko naho biri uko ntibari bafise igitoro mu ma pikipiki yabo, ico kidandazwa ni imboneka rimwe ku pompo y'i Mwaro.

**Abanywanyi 2 b'urunani Burundi bwa Bose barahagaritswe muri komine n'intara ya Makamba**

Kuwa 7 Rusama 2025 ku mutumba Gasange muri komine n'intara ya Makamba, Nzoyihaya Vincent, aserukira urwo runani ku mutumba Gasange, yarahagaritswe aca arapfungirwa mw'ibohero rya komisariya ya komine Makamba.

Kuri uwo musi nyene,Hatungimana Gaspard,arongoye urunani muri zone Kabuye yo muri iyo komine, nawe nyene yarahagaritswe n'abapolisi bafashijwe n'Imbonerakure. Kubwo ababanyi, yarashoboye yarashoboye gucika kw'icumu ntiyapfungwa ariko kuva ico gihe, ari mu kinyegero.

### *II.3.1 GUHAGARIKWA N'UKUBOHWA BIDACIYE MU MATEGEKO (Ibikurikira urupapuro 15)*

**Abanywanyi 2 b'umugambwe Sahwanya FRODEBU bahagatitswe muri komine Nyanza-Lac yo mu ntara ya Makanga**

Inkuru yashikiriye unuhari Iteka kuwa 7 Rusama 2025 ivugako kuwa 25 Ndamukiza 2025, ku mutumba Kabo, komine Nyanza-lac y'intara ya Makamba, Nijimbere Habakuk na Renovat,bose abanywanyi ba Sahwany FRODEBU barahagaritswe baca batwagwa n'igendereza kugira baboherwe mw'ibohero rya komisariya y'igipolisi i Nyanza Lac bahamare imii ibiri. Babagirije ko ari abanywanyi b'umugambwe utavuga rumwe na Reta Sahwanya FRODEBU, imvo y'umutahe ikaba gushaka gutunganya imyiyamamazo y'amatora imbere y'igihe kirekuwe n'amategeko gitangwa na CENI.

## *III. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI, IMIBANO N'IMICO KAMA*

### *III.1. UBURENGANZIRA KU MAGARA*

**Ibura ry'imiti muri komine Mutaho intara ya Gitega**

Haraheze amayinga abiri,amavuriro atwagwa mu karere k'ubuvuzi ka Mutaho,intara ya Gitega hari ibura riteye amakenga ry'imiti. Abagwayi baza kw'ivuriro ntibakironswa imiti. Ku bitarobikuru vy'imutaho, co kimwe no mu mavutirohirya,ububiko bw'imiti buragaragara.

Kubwo intahe nyinshi twarose, abakozi baho bashobora kwakira abantu gusa bagaca babarungika abagwayi mu mazu y'ubudandarizo bw'imiti bwiganga kugira bagure iyo babandikiye. Kubwo umurwayi twasanze muri komine Bugendana,ntazi igituma abatwara bahimiriza abanyagihugu kugura amakarata yo kwivurizako ahubwo ari ubuhinga bwo kuzuza amasangugu. Ivuriro ry'ibugendana rirakorwako cane kubera,kiretse ko habuze imiti,n'umuhinga mu gupima ingwara yarataye ako kazi vuba cane aja kurondera ubuzima bwiza i Dubai. Kurubwo, gusuzuma ingwara ntibigirwa, haciye amayinga atatu. Twomenyesha ko akarere k'ubuvuzi ka Mutaho kuva uyu mwaka utangura gushika ubu kamaze gutakaza aba foroma 4 bataye akazi.

## *IV. GUSOZERA N'IMPANURO*

Umuhari Iteka ntuhengeshanya gushira ahabona ushimitse itituka rigumaho ry'agateka ka zina muntu mu Burundi kandi ririyamiriza ukudahana abakora amabi. Usaba abaramutswa u Burundi gufata ingingo zose zishoboka kandi rihanura ibikurikira :

**Kuri Reta y'u Burundi ko :**

**-**Yoburabuza ibikorwa vy'iterabwoba bikorwa n'Imbonerakure,canacane muri kino gihe kidasanzwe kubuzima bwa politike y'igihugu,

**-** Yokwiyemeza gukingira uburenganzira bwabantu kandi igahagarika amabi akorwa n'Imbonerakure.

**-**Yogira amatohoza yimbitse , adahengama kandi ku mugaragaro ku mahagarikwa bidaciye mu mategeko,amanyuruzwa,amahohoterwa n'ubwicanyi vyavuzwe. Abikekwa ko amabi bagashirwa mu butungane hisunzwe amategeko

**KURI CENI**

-Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora ku rwego rw'igihugu utegerezwa gukwirikirana ishirwa mu ngiro ry'itegeko rigenga amatora cane cane ku ngingo yaryo ya 40 kandi ukiyemeza ubuserukizi bungana kuri bose mu bikorwa vy'amatora,